Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Facebook:Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi.
Avenue de la mission n° 06




«Jewe ndi wa mwungere mwiza »
Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°836 01 Ndamukiza 2025

## Inkuka ya Yezu Kriru kw'Altali ( 1 Abanyakorenti 11, 23 -31)

Iminsi yose muri Ekleziya Gatolika, turahereza inkuka ya misa, niyo twita kandi inkuka y'Ukari-stiya.

Mbere ni co gisabisho c'agakura dufise dutura Imana? Kubera iki ?

Kuko Yezu Kristu we nyene ubwiwe yayiduhayeko itegeko aho yabwira abatumwa biwe ngo ivyo murame mubigira munyibuka. Kubera iki yabitanzeko itegeko? Tubirabire hamwe mu ngingo zibiri :

Ibirangurwa kw'Altali,



Imvo yavyo

*1) Ibirangurwa kw'Altali.*

« Jeho rero narashikirijwe n'Umukama ivyo nanje nabashikirije namwe, ko Umukama Yezu, muri ryo joro yafatwa, yakiriye umukate, amaze gukenguruka, akawumanyura, akavuga ati : iki ni Umubiri wanje uza gutangwa ku bwanyu.

Ivyo muzokwame mubigira kugira ngo bibe icibutso canje. Bamaze gufungura, agira kwa kundi, yakira igikombe avuga ati : Iki gikombe ni isezerano rishasha, mu maraso yanje. Igihe cose muzokinywa, muzobigire kugira ngo kibe icibutso canje. Nkako, igihe cose muriye uyo mukate mukanywa n'igikombe muba mumenyesheje urupfu rw'Umukama gushika aho azogarukira (1Cor 11,23-26).

Ng'ivyo ivyo turangura. Ng'ayo amajambo avugwa akatumenyesha ibirangurirwa kuri altali nyeranda.

Dutegere neza iyo mvu-

Soma ku Rup. 5

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Hahiriwe abaremesha amahoro (Matayo 5,9)

*Ijambo ry'Abepiskopi bagize Ishirahamwe ry'Inama z'Abepiskopi zo muri Afrika yo hagati bashikirije ababa mu karere k'ibiyaga binini.*

1. Haraciye imyaka irenga 30 akarere kacu gahanzwe n'ibihungabanya amahoro, ku rugero rusumbasumbana, mu kibano no mu bayobozi bw'ibihugu, gushika naho bivyara amatati aguma yisubiriza hagati y'amareta y'ibihugu vyacu. Akarere kacu karaha-kwa gusambuka rwose nk'ikirunga kirutse u-muriro w'indwano zirandagata, zikagenda zitema zitongora.

2. Ayo mabi y'indwano afise ingaruka mbi ku miryango no ku bihugu vyacu, aho abahitanwa n'indwano baguma bi-yongera birenze urugero kumwe n'ibitigiri vy'impfuvyi, abapfakazi n'abapfakare, abahungira hagati mu bihugu vyabo no mu mahanga. Turateye ivyatsi inkwezi z'ayo mabi yose, duhereye ku vyiyumviro n'inyigisho mbi zivyara, zigakomeza, zikongera zikayacira inzira.

3. Mu mubabaro mwinshi n'agahinda duterwa n'urugero ayo mabi agezeko, twebwe abakardinali, Abepiskopi gatolika b'ibihugu bitatu vyo mu karere k'ibiyaga binini, ari vyo Uburundi, Leta iharanira demokrasi ya Kongo n'Urwanda, twakoraniye i Dar-es-salaam, ku mugwa mukuru w'igihugu ca Tanzaniya,

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Ikibano gifise uruhara uruhe mu gufasha abantu bihereza ibiyayuramutwe?..........7
o Inyishu ku bibazo vy'abamenyeshamakuru n'abenegihugu mu Rumonge..........8
o Ibikorwa vyo kunywanisha Abarundi birihuta ariko bikeneye uburyo bwinshi..........9
o Uburezi butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango w'amaraso n'inkurikizi zabwo..........10

# Idominika ya Gatanu y'Ikarema: *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: *Izaya: 43, 16-21*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanauzi Izaya :

*(Umuhango w'ukurokoka)*

Ng'iri iriyazwe n'Umukama we yaciye inzira hagati y'ikiyaga, agaca inzira hagati y'ibisebuzi, we yasasitse mu rugamba ibitwazi n'amafarasi, agatsinda n'ingabo zagambaraye, zikarambarara ubutakigaruka bigaherengetera nk'urubeya ruzimye. « Reka kwibuka ivyahise, ibagira ivya kera. Ngiye kuzana ibintu bishasha, kandi ng'ivyo vyashitse, ntavyo mubona ? Ngiye guca inzira nshasha mu gahinga, mu karere ndahakwiragize amayira. Inyamaswa, imbwebwe n'ibisiga bizonshimagiza, kuko nzotobora irirba mu gahinga, inzuzi zigatemba mu karere, kugira ngo mare inyota igihugu nitoreye. Kandi igihugu nitoreye na co nyene kizonshemeza. »

## Igisomwa ca kabiri: *Abanyafilipi: 3, 8-14*

Ivyo dusoma mw'ibaruwa Umutumwa Paulo yandikiye Abanyafilipi :


*(Kubwa Kristu, vyose ndabiraba nk'ubusa)*

Ncuti zanje : Vya vyiza vyose nahoramwo kera, ndabiraba ubu nk'ubusa kuva aho menyeye iciza kiruta vyose: Kristu Yezu Umukama wanje. Kubera we, nahevye vyose, nkabiraba nk'umwavu, kugira ngo akunguko kanje kabe Kristu kandi mbe muri we, atari kubw'ubutungane bwanje buva ku mategeko, ariko kubera ubuva ku kwemera Kristu aribwo bwa butungane buva ku Mana nyene bushimikiye ku kwemera: niho nzoshobora kumumenya, we n'ububasha bw'izuka ryiwe, be n'amagorwa yiwe dusangiye, mu gushusha na we mu rupfu rwiwe, ngo mbashe gushikira izuka ry'abapfuye nkuko ndavyizigiye.

Si ukuvuga ko namaze kubishikira canke ko maze kuba intungane, ariko sinicara hasi, kugira ngo mbashe kubicakamira nkuko nanje niziziwe na Kristu Yezu. Benewacu, jewe ubwanje sinibwira yuko namaze kumushikira. Muri vyose, kimwe gusa nico gikuru: ndibagira ivya kera, nkaraba imbere yanje, ngakomeza urugendo kugira nshikire rya shimwe Imana yaduhamagariye mw'ijuru muri Kristu Yezu.

## Inkuru nziza: *Luka : 15, 1–3.11-32*

**Ijambo ryawe ni iry'ukuri, Mukama, itegeko ryawe na ryo ni ubukiriro.**



*- Umukama yavuze ati: "Sinshaka urupfu rw'umunyakabi, ico nshak n'uko yokwisubirako akabona kuramba.*

**Ijambo ryawe ni iry'ukuri, Mukama, itegeko ryawe na ryo ni ubukiriro.**

Ivyo dusoma mu Njili nyeranda yanditse Yohani :

*(Genda amahoro ntube ugicumura)*

Umunsi umwe, Yezu yari yagiye ku musozi wa Oliveti. Mu gatondo ka kare, agarutse mu gisengero, ishengero ryose riramwegera, na we aricara, arabigisha. Abanditsi n'Abafarizayo rero bamuzanira umugore yafashwe asambana; bamaze kumuhagarika hagati mw'isengero, babwira Yezu bati: "Mwigisha, uyu mugore yafashwe asambana. Mu mabwirizwa na ho, Musa yadutegereje kwicisha amabuye ben'abo bagore. Ku bwawe, bite?"

Ivyo babivuze ngo bamugeze, babone ingene bomurega. Yezu na we arunama, yandikisha urutoke hasi. Bashishikara kumubaza, arunamuka ababwira ati: "Muri mwebwe uwudafise igicumuro, n'amubanze ibuye."

Araheza yongera kwunama yandika hasi. Na bon go bavyumve, bariyonjorora umw'umwe bahera ku basaza, gushika asigare ari we nyene na wa mugore yari hagati. Yezu rero arunamuka amubwira ati: "Wa mugore, abakurega bari hehe? Ntawakuremetse intahe?" Na we ati: "Ntawe, Mukama." Yezu nawe ati: "Na jewe sindayikuremetse, genda ntube ugicumura."

# Tuzirikane ijambo ry'Imana

Bakunzi b'Imana, kuri uyu musi w'Imana igenekerezo rya 06 Ndamukiza 2025, duhimbaza idominika ya gatanu yo mu gihe c'Ikarema, mu mwaka-C.

Mu gihe muri iyi myaka usanga ivy'ubu buzima bituma umuntu yiganyira, akihebura, akibaza ko atakivayo, kuri iyi dominika Imana ishaka ko dusubira kunagura umwizero tuyifiseko. Ku Mana imvugo ngo «Ntibakivayo» nta kibanza ifise.

Bakunzi b'Imana, iri jambo Umukama atuyagiye rirateremesha. Rije kutubwira ko Imana yama hafi y'abana bayo na cane cane mu gihe baremerewe n'ibibazo bitandukanye.

Ico Imana ishaka mu kuturemesha ni uko twoyishimira muri vyose na hose, ntitugume gusa mu biduhagaritse umutima.

Ni vyo twumvise mu gitabu c'umuhanuzi Izaya ati: «Ng'iri iriyazwe n'Umukama: Reka kwibuka ivyahise, ibagira ivyakera. Ngiye kuzana ibintu bishasha, kandi ng'ivyo vyashitse, ntavyo mubona?»

Bakunzi b'Imana, kumbure ntihabuze abari mu maganya atagira izina, uri abaruhijwe n'ingorane zifatiye ku bukene, ku ndwara, nk'ugukumirwa canke ingorane zikomotse ku ngeso mbi bonyene baguyemwo.

Umukama aje kutubwira ati reka kwiganyira, ibagira ivyahise, ibagira ivya kera kuko: «Ngiye guca inzira nshasha mu gahinga, mu karere ndahakwiragize amayira».

Umukama araje, kandi aje mu gahinga k'ubuzima bwawe, mu karere wangariyemwo kubera ibibazo vy'ubuzima, kubera uburemere bw'ibicumuro vyawe canke ingorane uterwa n'abantu nkawe. Mbega uramubona? Uriteguriye kumwakira n'ukwakira urukiza akuzaniye?

Tuzirikane neza ivyo turimwo, aho Umukama adusanze, ivyo twangariyemwo, akarere tugezemwo, n'iyo Umukama yadukuye.

Tumaze kubizirikana tumwakire, twakire urukiza atuzaniye mu kutwuhirira ku vyo amaze kudukorera kumbure tubona n'ibindi twiyobagiza.

Uyo Mukama atuyagira ivyo ni we yakoreye ivyiza vyinshi abanyisraeli mu kubakura mu Misri, akabajabutsa ikiyaga abanje guca inzira hagati mu mazi, akabacira inzira hagati y'ibisebuzi.

Uyo ni we agomba kugucira inzira hagati y'ibisebuzi urimwo, akugire mushasha, akwuzuze umwizero wa kazoza. Uriteguriye guhinduka no kumwakira?

Yezu, mu Nkuru Nziza twasomewe, aje gushitsa iri jambo ry'umwizero twazirikanye mu gisomwa ca mbere. Kanatsinda Imana ntiyaga amasigaracicaro. Nka ko, Ijambo ryayo rirarangura ico rivuga (Is 55,10-11).

Ehe raba namwe! Uyu mugore yari yafashwe asambana, ubwiwe bwa-sa n'ubuheze, kuko yabwirizwa kwicishwa amabuye.

Kandi tubiravye neza, na we nyene asa n'uwamaze guta umutwe. Kanatsinda ari hagati y'ibinyamushinya biraririye kumutera amabuye, kumucira rubi. Ku vy'ukuri nta saganirizo agifise, kuko bwamukubiye.

Ariko nk'uko abarundi bayamaze, umwansi agucira icobo, Imana ikagucira icanzo. Umukama amusanze muri ako gaheza, arahamukuye, abanje kumukiza abamwagiriza.

Uyu mugore, ni ko, yari akwiye igihano hisunzwe amategeko, yamara Umukama ntiyazanywe n'abeza, ariko yaje gukiza abo nyene bari bakwiye igihano: jewe na wewe, abacumuzi. Kandi ico ashaka ni uko twobohoka twese, tugahinduka, tukidegemvya vy'ukuri mu guheba inabi «… Genda, ntube ugicumura!».

Nimuze rero, bavukanyi, mu kwakira iri jambo, twisuzume neza, turabe ivyo tugenderamwo.

Ubwa mbere, abagendera mu ngeso mbi zitandukanye, ariko hakwisuzuma bakishinga kwagiriza abandi gusa, nk'aba bafarizayo bagiriza uyu mugore, bisuzume neza, bahinduke, kuko ari co Umukama atwigishije: «Muri mwebwe, uwutagira igicumuro, namubanze ibuye!»

Ubwa kabiri, mu kwakira urukiza Yezu atuzaniye, mu kwemera kwitanga ku bwacu, nk'uko tugiye kubizirikana ku buryo buramvuye mu ndwi nyeranda igiye gutangura.

Twemere kuvavanura n'igicumuro cari kituboshe, dufate ingendo nshasha ishingiye ku kwizera Imana.

Ubwa nyuma, nimuze twese twihatire kuva mu vyo twahoramwo, bishobora kuba vyari amizero yacu, twakire Kristu Umukama wacu abe ari we atubera vyose. «Vya vyiza vyose nahoramwo ndabiraba ubu nk'ubusa, kuva aho menyeye iciza kiruta vyose, Kristu Yezu Umukama wanje».

Kristu ni We ciza kiruta ibindi, ni We mwiza aruta abandi bose. Nitumwakire, We Mukiza wacu yuzuye impuhwe n'urukundo, na We azodukiza akabi n'urupfu, adushikirize akanyamuneza k'ubuzima budahera.

Amen!

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Hahiriwe abaremesha amahoro (Matayo 5,9)

(Bitangurira ku rup. 1

kugira ngo dukomeze urugamba rwo guharanira amahoro mu bihugu vyacu no hagati yavyo.

4. Turahimirije abarongoye amaleta y'Umuryango w'ibihugu vyo muri Afrika yo mu buseruko (EAC) n'Umuryango uharanira iterambere ry'ibihugu vya Afrika yo mu bumanuko (SADEC) ko boshira mu ngiro ingingo zavuye mu nama yabahurije hamwe i Dar-es-sallam.

Twakiranye ukwemera n'umwizero abagenwe ngo bakurikiranire hagufi ishirwa mu ngiro ry'umugambi w'amahoro unywanisha, ingingo zafatiwe mu Manama yabereye i Nairobi n'i Luanda.

Turiyemeje kubaba hafi mu gutanga intererano yacu muri ico gikorwa c'ukurondera amahoro, na ririya gisanzwe kiri mu butumwa bwacu bwo kumenyesha Inkuru nziza. Twifuza ko mu bihugu vyacu, inkota zahora zisasika inganda zocurwamwo ibikoresho biteza imbere akarere kacu ( raba Izaya 2,4).

5. Turashigikiye igikorwa Inama y'Abepiskopi gatolika bo muri Kongo (CENCO) kumwe n'urunani rw'amashengero ya Kristu muri ico gihugu (ECC) bariko bararangura, barondera ko hashirwaho amasezerano aharanira amahoro n'ukubana neza n'abandi muri Kongo nyene no mu karere kacu kose. Nkako, boba bafashije Ishirahamwe ryacu ry'Inama z'Abepsikopi Gatolika zo muri afrika yo hagati, gushira mu ngiro umugambi waryo wo kurondera amahoro muri aka karere. None rero, turahamagariye abakristu bose kugira rwabo uwo mwitwarariko wo kurondera amahoro.

Nitugamburuke ingingo y'Urunani rw'Inama z'abepsikopi Gatolika bo muri Afrika na Madagaskari, muri kino gihe kiroranye c'Ikarema, twihatire kwongereza akanya k'ugusenga, k'ugushengerera Isakramentu ryeranda, k'ingendo zinagura umutima, k'ukwisonzesha n'ukugira inzira y'umusaraba, turondera amahoro n'ubutungane.

6. Turerekeje ijambo ku bihugu, ku mashirahamwe mpuzamakungu hamwe n'inani mpuzamakungu z'ubudandaji, tubasubiriramwo iryo Umuyeyi wacu papa Fransisko yavumereye igihe yagira urugendo rw'ubutumwa i Kinshasha muri Nzero-Ruhuhuma 2023, ati: " Nimureke gusahura Kongo, nimureke gusahura afrika". Ntitwemere ko akarere kacu kaguma ari ikirimbiro ry'abagenzwa n'umwina w'amaronko n'ukugwanira inyungu zabo gusa, bigatuma ubukene bw'abenegihugu baho buguma bwiyongera.

7. Mu karere kacu, hariyo ugutinyana hagati ya bamwe n'abandi. Turiyamirije ivyiyumviro n'inyigisho bisasira indava ubwicanyi, vyibonekeza hamwe hamwe, tugasaba ko haba amatohoza yimbitse ku bivugwa ko muri kano karere kacu habaye ivyaha vy'ihonyabwoko, ivyaha vyo mu ntambara n'ivyaha bihohotera agateka ka kiremwamuntu, vyamaze kwiha inkumbi, hanyuma n'abahohotewe barenganurwe mu gateka kabo no mu burenganzira bwabo.

8. Si imbeshere, imigwi yitwaje ibigwanisho isasika inganda iragwiriye muri kano karere kacu. Abari muri yo tubasaba ko bovavanura n'ingendo igayitse yo kurondera kuburanira ivyo baharanira, bakoresheje ibigwanisho vyica abavukanyi babo.

Dusavye kandi ko Amaleta yoshira mu ngiro ukwicarana hamwe n'abo batavuga rumwe, bakaganira ivy'ubuyobozi bw'ibihugu vyabo ku neza ya bose.

Bikira Mariya Nyaguhimbazwa nakingire akarere kacu.

Bigiriwe i Dar-es-saam, igenekerezo rya 26 Ruhuhuma 2025

Abakardinali n'Abepiskopi batumwe n'Ishirahamwe ry'Inama z'Abepiskopi gatolika zo muri Afrika yo hagati:

1. Cardinal Fridolin AMBOGO, Umwepiskopi mukuru w'i Kinshasa, akaba n'Umukuru w'Urunani rw'Inama z'Abepiskopi ba Afrika na Madagaskar;

2. Cardinal Antoine Kambanda, Umwepiskopi mukuru w'i Kigali, akaba n'Umukuru w'Inama y'abepiskopi Gatolika b'i Rwanda;

3. Musenyeri José MOKO, Umwepiskopi w'i Idiyofa, akaba n'Umukuru w'Ishirahamwe ry'Inama z'Abepiskopi ba Afrika yo hagati;

4. Musenyeri Fulgence MUTERA, Umwepiskopi mukuru w'i Lubumbashi, akaba n'Umukuru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika bo muri Kongo;

5. Musenyeri Vincent HAROLIMANA, Umwepiskopi w'i Ruhengeri, Icegera c'Umukru w'Inama y'abepiskopi gatolika b'i Rwanda, akaba n'Icegera ca mbere c'Umukuru w'Ishirahamwe ry'Inama z'Abepiskopi zo muri Afrika yo hagati;

6. Musenyeri Joachim NTAHONDEREYE, Umwepiskopi w'i Muyinga;

7. Musenyeri Félicien MWANAMA, Umwepiskopi w'i Luiza,a kongera akaba arongoye n'igisata c'Ubutungane n'Amahoro mu Nama y'Abepiskopi gatolika bo muri Kongo

8. Musenyeri Georges BIZIMANA, Umwepiskopi w'i Ngozi, akaba arongoye Igisata c'Ubutungane n'Amahoro mw'Ishirahamwe ry'Inama z'Abepiskopi zo muri Afrika yo hagati no mu nama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi;

9. Musenyeri Salvator NICITERETSE, Umwepiskopi w'i Bururi akaba n'Icegera c'Umukru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi.

***Ikinyamakuru Ndongozi***

# Ukugira ubuzima bushasha mu kwakira ukaristiya ( Luka 22, 14-20)

*(Bitangurira ku rup. 1*

go : Icibutso c'Umukama kivugwa ng'aha ni iki? Ijambo ngo « Murame mubigira munyibuka canke mwame mubigira nk'icibutso canje, bisigura iki ?

Iri jambo ngo « munyibuka canke icibutso » ntimwiyumvire ngo ni co twita kwibuka ikintu/ umuntu (se souvenir). Iri jambo Yezu yakoresheje mu rurimi rwiwe yavuga kiriya gihe, bisigura kurangura ivyo wenyene yagize kugira bibandanye biba kandi birangura ico bivuga nkuko wenyene yabigize.
Ivyo yagize na we ni ibi : Ku mugoroba w'uwa kane mweranda, buca yitangako inkuka ku musaraba, yabanje kubirangura m'Ukaristiya.

Umubiri bwaca utangwa ku musaraba, yabanje kuwutanga mu gisa n'umukate ngo abiwe bamufungure.

Amaraso bwaca asesa ku musaraba yabanje kuyatanga mu gisa n'umuvinyu ngo abiwe bayanywe. Agirako aca abaha ububasha n'itegeko ryo kwama babirangura kugira ngo inkuka bwaca atanga ku musaraba i Kalvariyo, yame iherezwa n'abiwe kuri Altali imyaka yose gushika aho azogaruki-ra.

Mu nkuka y'imisa, ikonsekrasiyo irangiye, U-musaserdoti avuga ati: «***Bana b'Imana iri banga ry'ukwemera n'agatangaza*** »

Abakristu na twe tukitabira tuvuga duti : « ***Ego cane Mukama, turemeza ugupfa kwawe, kandi turashemeza izuka ryawe, gushika aho uzogarukira***. »

Ibirangurwa rero kw'altali, – mu gihe c'imisa -, ni bimwe vyarangurwa ku musaraba ku musozi w'i kalvariyo kuwa gatanu mweranda. Yezu Kristu we nyene yitanze ko inkuka ku musaraba niwe abandanya kwitanga ko inkuka kuri altali igihe cose duhimbaza ivyo yadutegetse kurangura.

Inyigisho y'Ekleziya Gatolika Catéchisme de l'Eglise Catholique CEC n° 1366) ivuga iti: « Ukaristiya ni Inkuka kuko izana ubu bwa none (rend présent) inkuka yo ku musaraba, kuko ari yo iyirangura (mémorial) kandi kuko ari yo ishikiriza ivyiza biyikomokako ».

Ivyo turangura rero mu nkuka y'imisa si ivyibutso, si ibigereranyo, si ibimenyetso. Ivyabaye ku Kalvariyo ni vyo biranguka vy'ukuri igihe cose inkuka ya misa iherezwa.

**2) Imvo yavyo**

None ni kubera iki Yezu yahaye abatumwa biwe itegeko ryo kwama babigira ?

Ni ukugira ngo ivyiza bikomoka ku nkuka yiwe bigume vyisuka kandi bishikire abantu b'isi yose, b'imyaka yose n'inzaruka zose uko zikurikirana, gushika aho azogarukira. Ivyo vyiza na vyo ni ibihe ? Biri mu mice ine :

*a) Gusenga no kuninahaza Imana.*

Yezu Kristu yitanze wese m'Ukaristiya, niwe nkuka itokomberezwa Umukama, yategetswe n'Imana ngo ibere Bene Israyeli uburyo bwo kuyisenga no kuyininahaza (Exode 29,38-42).

Ni co gituma, igihe umusaserdoti ayihereza, yahejeje ikonsekrasiyo aca akiriza ipatena iriko U-mubiri n'ikarisi y'amaraso vya Kristu, agatangaza n'ijwi rirongorotse ati : « ***Kubwiwe (uyu ni Yezu yitanze) hamwe nawe no muri wenyene, n'uterwe iteka ryo gusengwa Mana Data Mushoboravyose hamwe na Mutima Mutagatifu, wongere uninahazwe no mu myaka yose.*** »

Abakristu nabo bakishura bati : «Amen !!!! »
*b) Gukira ibicumuro.*

Yezu kristu yitanze m'Ukaristiya niwe nkuka yishura ibicumuro kandi ikura ibicumuro yategetswe n'Umukama ngo ibicumuro birekurirwe (Soma Abaleviti 5). Ni co gituma umusaserdoti ayihereza, abirangura avuga amajambo Yezu yavuze ati : « Iki ni amaraso yanje, amaraso y'isezerano rishasha kandi rizokwamaho, aza guseswa kubwanyu no kubwa benshi abakize ibicumuro ».

Mu nyigisho y'Ekleziya naho bati : « Ukaristiya ni inkuka kuko iherejwe yishura ibicumuro vy'abazima n'abapfuye kandi ikaturonkera ku Mana, ivyiza vy'umutima n'umubiri (CEC n° 1414).

Iyo hataba iyo nkuka, isi iba yarubamye. Ibicumuro, amabi n'ububisha bikorerwa kuri iyi si ni vyinshi ku buryo dushobora kuvuga ko kubona isi itarasama ngo itumire twese, ari igitangaro !!!!

Ukaba wemera yuko Imana ibona vyose kubitiza agatima wiyumvire amabi akorerwa mu maso y'Uwubona vyose uko angana :

- Abategura imigambi y'ubwicanyi
- Abagandagura abandi
- Abakubita n'abasinzikaza abandi….
- Abashurashura n'abasambana mu buryo bwinshi….
- Abica abana bavutse canke bakiri mu nda….
- Abasenga shetani bagatuka Umuremyi wabo..

Ivyo vyose, nta na kimwe Imana itabona. None ni kuki ibona vyose itaraturekuriramwo nka wa muriro watongora ibisagara vya Sodoma na Gomora ? canke nka ya segenya y'igihe ca Nowe ?

Nuko twama duhereza inkuka ya misa aho Yezu Kristu yihereza Imana Se kandi akadusabira

*Ibik. urup.6*

# Hahiriwe abaremesha amahoro (Matayo 5,9)

*Ijambo ry'umukru w'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi riherekeza Ijambo ry'Abepiskopi bagize Ishirahamwe ry'Inama z'Abepiskopi zo muri Afrika yo hagati bashikirije ababa mu karere k'ibiyaga binini.*

Bakristu bavukanyi dusangiye ukwemera, eka namwe mwese Imana ikunda mukayikundira,

Murumvise ijambo abepiskopi b'aka karere babashikirije, ku bijanye n'umutekano muke urangwa mu karere k'ubuseruko bwa Republika Iharanira Demokrasi ya Kongo, batwibutsa ko amahoro ari ryo tunga tubwirizwa guharanira no kubungabunga muri ibi bihugu vyacu vy'ibiyaga binini.

Twebwe Abungere banyu ng'aha mu Burundi, turabasavye ko mwokurikiza izi mpanuro 4 tubashikirije, zodufasha gushira mu ngiro iryo jambo:

1. Kwiyamiriza ivyiyumviro, inyigisho n'ibikorwa bitegura kandi bigakwega ubwicanyi n'intambara muri aka karere kacu;

2. Gushira imbere ibiganiro hagati y'abantu n'abandi, mu migambwe no mu mshirahamwe, mu gihugu no hagati y'ibihugu vy'aka karere kacu, ibiganiro bishikana ku mwumvikano, ku kubana neza no ku mahoro arama;

3. Kwama dusaba amahoro muri kano karere kacu, mu bisabisho bitandukanye. Hejuru y'ivyo, turashinze igisabisho c'iminsi itatu ku magenekerezo akurikira:

- Ku munsi wa kane, igenekerezo rya 27 ntwarante 2025: Isakramentu ryeranda ryirirwe kuri Altali nyeranda mu masengero yose. Umukristu wese n'imigwi itandukanye, bazoheza barondere umwanya ukwiye wo kuza kurishengerera, basaba amahoro n'ubutungane.

- Ku munsi wa gatanu igenekerezo rya 28 Ntwarante 2025: uzoba umunsi w'ugusenga n'ukwisonzesha bidasanzwe, tutibagiye n'inzira y'umusaraba, dusaba amahoro n'ubutungane;

- Ku munsi wa gatandatu igenekerezo rya 29 Ntwarante 2025: uzoba umunsi wo kwambaza Umuvyeyi wacu Bikira Mariya, Umugabekazi w'amahoro. Umukristu wese, imigwi itandukanye, bazorondera umwanya wo kuvuga ishapule no kwishikana kuri Bikira Mariya, dusaba amahoro n'ubutungane.

4. Gutegura neza indwi y'urukundo ngo dushobore gutangana akanyamuneza, turonke ivyo dufashisha abakene bacu, tutibagiye n'impunzi zahungiye mu gihugu cacu.

5. Turangije tubasaba ko mwokwamana umwitwarariko w'ukubahiriza ubuzima bw'umuntu uwo ari we wese, gusubiza hamwe no kurekuriranira, gukomeza ubutungane, ngo bigushikane ku mahoro n'iterambere birama, kugira ngo umuntu wese yishire yizane mu biwe no mu vyiwe.

Kubw'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi

Musenyeri Bonaventure NAHIMANA, Umwepiskopi mukuru w'i Gitega, akaba arongoye iyo Nama

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ukugira ubuzima bushasha mu kwakira ukaristiya ( Luka 22, 14-20)

*(Bitangurira ku rup.5*

imbabazi nka kumwe kwo ku Kalvariyo, ati : « Dawe, bagirire ikigongwe ntibazi ico bakora »

N'uko umwanya wose, kw'isi yose, hose, uko ibihe bigenda birakurikirana, hama hariho umusaserdoti akirije Yezu amuhereza Imana Se kubwacu no kubwa benshi, maze agatangaza ati :

«***Kubwiwe, hamwe na-we, no muri wenyene, n'uterwe iteka ryo gusengwa Mana Data Mushoboravyose hamwe na Mutima Mutagatifu, wongere uninahazwe no mu myaka yose.*** »

Gutyo kubw'iyo nkuka ya Kristu iherezwa kw'Altali,

- Imana igasubizwa iteka

- Ibicumuro bikishurwa

- Ubwuzure bw'Imana n'abantu bukanagurwa.

Ng'iyo inkuka aho Yezu Kristu abandaniriza igikorwa ciwe co kudukiza no gukiza isi.

Ng'iyo inkuka ituma iyi si itubama canke ngo yasame itumire twese. Mu kubwira abigishwa biwe ngo : Ivyo murame mubigira, Yezu Kristu yashatse uburyo bwo kwama atwitangirako inkuka kugira ngo dukire, kugira ngo isi ishobore kuragama.

***c) Ukwuzura n'Imana mw'isezerano nshasha.***

Yezu yitanga m'Ukaristiya niwe ya Nkuka y'ubunywanyi, y'akanyamuneza n'ubugamburutsi; imwe bene Israeli bahereza Imana, bakongera bakayifungurako ngo basangire n'Imana yabo, bakomeze batyo ubumwe bafitaniye.

Ni co gituma na wte tumaze guhereza iyo nkuka mu minwe y'umusaserdoti, duca tuyifungurako, tugasangira n'Imana yacu gutyo tukanagura isezerano ryacu na Yo, tukuzura na Yo.

***Biracaza***

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ikibano gifise uruhara uruhe mu gufasha abantu bihereza ibiyayuramutwe

***Ikiyayuramutwe ni iki?***

Ikiyayuramutwe n'ico kintu cose umuntu yihereza canke akoresha, bivanye n'ingene acihereza canke agikoresha, kikamugira umuja waco, bikamutuma ahindura ingene abona ibintu, ingene yiyumva, ndetse agahindura ivyiyumviro n' inyifato.

Ni ryari bavuga ko umuntu yiziziwe canke yabaye umuja w'ibiyayuramutwe?

Bavuga ko umuntu yabaye umuja w'ibiyayuramutwe iyo afise n'imiburiburi ibimenyetso 3 muri ibi bikurikira:

- Guhahamira umwanya wose ibiyayuramutwe,
- Kudashobora gufata ingingo y'ivyo afata uko bingana n'amasaha yobifatirako,
- Kugira ibimenyetso canke ububabare igihe urugero rw'ibiyayuramutwe rugabanutse canke biheze mu mubiri,
- Gukenera kwongera urugero rw'ibiyayuramutwe yahora afata kugira ngo yumve ko amerewe neza uko abishaka,
- Gutakaza igishika co gukora ibindi atari gufata/kunywa ibiyayuramutwe umwanya munini akawumara arivyo ariko aranywa,
- Kubandanya anywa ibiyayuramutwe azi neza ingorane vyamuteye hamwe n'ingaruka mbi zohava zimushikira.

Hari uburyo bubiri, butuma umuntu ashobora kuba umuja canke akiziziwa :

- Kwizizigwa nivyumuntu yihereza : itabi, inzoga,imiti, …



KANYAMUNEZA Emelyne, Psychologue mobilisateur mw'ishirahamwe ALUMA

- Kwizizigwa bitajanye nivyumuntu yihereza bijanye n'inyifato: Akazi, imikino(akamari, urubugu), kwinonora imitsi, internet,… )

**Imigwi y'ibiyayuramutwe**

*1. Ibiyayuramutwe bituma ubwonko bukora cane:*

- Ikawa,
- Itabi,
- Imiti imwe imwe *(amphétamines et dérivés),*
- Cocaïne,

*2. Ibiyayuramutwe bihwamika ubwonko:*

- Inzoga,
- urumogi,
- imiti imwe imwe iri mu bwoko businziriza (benzodiazépines),,,,,,

*3. Ibiyayuramutwe bitera iswingi:*

- Busta,
- Urumogi,
- Cole,
- Essence,
- Solvants,

**II. Imvo zishobora gutuma umuntu yihereza ibiyayuramutwe.**

Abantu bihereza ibiyayuramutwe bivuye kumvo nyishi kandi zitandukanye. Biragoye kumenya neza ibituma umuntu yihereza ibiyayuramutwe.

Ibijanye ninyifato (Facteurs psychologiques) :

Uruhagarara(stress)
Ukumuntu asanzwe aremye (traits de caractère) :
Kutiyemera (Manque d'estime de soi),
Ntashobora kwigumya imbere y'ikintu (Impulsivité)
Ibikomere nseserezamutima vyo mu bwana
Amakuba nseserezamutima
Ingorane zo mu muryango(problemes familiaux)
Ingorane z'ubuzima (problemes de la vie)
Kurya uruhuha
Guhemukirwa (Deception)
Ibiva kuburwayi bwomumutwe :

- Indwara yomumutwe ikabije
- Indwara yakabonge
- Akababaro kenshi (anxieté)
-ubwoba burenze(phobie sociale)

Uruhererekerane mu muryango : Facteurs génétique (Akaronda)

Igihe abavyeyi bavyihereza
Mugihe umwana avutse kubavyeyi barwaye indwara yomumutwe
Mugihe habaye irwirirana ryinkabuzo nyishi z'umunezero mubwonko

Ibijanye nibidukikije (facteurs environnementaux)

Mu gihe umuntu aba ahantu abironka aho abishakiye
Igihe umuntu atanguye kuba aho abibona akiri muto
Ibiciro bitavuna
Gufata minenegwe ingaruka zavyo
Kuba umuntu adafise ico akora
Mu gihe uba ufise abagenzi bavyihereza (Agakuku)
Kugira abe mu bandi canke mu kirwi (Pour appartenir à un groupe)
Kudakurikirana neza abana(pas de supervision parentale)

Ubuhinga ngurukanabumenyi (Réseaux sociaux :film, media ,chanson)
Impanuro zabavyeyi (Conseils parentaux)

***Biracaza***

***Chanel HARINGANJI***

# Inyishu ku bibazo vy'abamenyeshamakuru n'abenegihugu mu Rumonge

Ku munsi wa gatanu igenekerezo rya 28 Ntwarante 2025, abavugizi b'inzego zitandukanye mu Burundi, bararemesheje ikiganiro c'abamenyeshamakuru n'abanyagihugu , ku kibuga c'umupira w'amaguru co ku mugwa mukuri w'intara ya Rumonge.

Mw'ijambo ryiwe ry'intangamarara, Umuvugizi w'Umukuru w'Igihugu, Umupfasoni Rosine Guilène Gatoni yarashikirije abari ngaho indamutso yarungikanywe na Nyenicubahiro Umu-kuru w'igihugu. Muri iyo ndamutso, Nyenicubahiro ashima cane ko ikiganiro kibaye Uburundi n'abarundi bari mu mahoro. Igihugu c'iteye iteka mu gusubiza hamwe abarundi, bagatahura ko umwansi basangiye ari ubukene, kandi ko ikigwanisho co gutsinda uyo mwansi, ari ugukura amaboko mu mpuzu bakijukira ibikorwa vy'iterambere.

Agashimishwa kandi n'ingene akamo adasiba gutera abarundi ko kugwiza umwimbu n'ugukora iyindi migambi ibateza imbere, igateza imbere n'igihugu cacu.

Muri kino gihe, akaba ashimishwa cane n'umwimbu w'agatasi cane cane umwimbu w'igiterwa c'ibigori, aho asaba ko bawubungabunga mu kuwurinda ibungwe no kutawusesagura.

Mu gihe aho bukera, buca Uburundi bwinjira mu matora y'abashingamateka, abakengu-zamateka, abahanuzi b'a-makomine n'abahanuzi bo ku mitumba no ku makartiye, Sebarundi asaba abarundi bose ko boyakora batekanye mu kwirinda basesankuyoze, bagatora ababafitiye imigambi ibateza imbere, bakabereka inzira zitazimiza, zibanywanisha zibakundisha ibikorwa.

Umukuru w'igihugu aratera akamo urwaruka kudasamazwa n'abanyepolitike barufata nk'ibiraro bibashikana ku vyo bipfuza. Akaruhamagarira kubandanya rukoresha umwanya n'inguvu zarwo mu kwiteza imbere no mu vyubaka igihugu.

**Ingorane mu gisata c'ubutungane ni nyinshi.**

Nyenicubahiro asaba abajejwe ico gisata kwiyambika umutamana bagatunganiriza ababitura bataravye nkunzi canke badafumbatishijwe. Bagendere akarangamutima k'ibanga n'ibango ryabo, ubutungane busasagare kandi bwiganze mu gihugu cacu, abarundi bakenyerere ikivi c'iterambere kitwerekeza ku mbonakazoza twiyemeje, batekanye.

**Umutekano hagati y'Uburundi n'Urwanda.**

Rosine Gatoni Umuvugizi w'Umukuru w'Igihugu yagize ati: «Umwumvikano uri hagati y'U Burundi n'U Rwanda uhagaze ku Rwanda nyene, umunsi abarongoye ico gihugu babishatse imigenderanire izoca igenda neza. Igihugu c'Uburundi gifitaniye imigenderanire myiza n'ibihugu vyose, ariko yagiye guhungabana hagati y'ivyo bihugu bibiri biturutse ko igihugu c'Urwanda arico kibitse abahungabanya umutekano w'U Burundi.

Ati: «Uburundi bushira imbere inzira y'amahoro, bushira imbere ibiganiro. Iyo hagize inkozi y'ikibi y'Urwanda ihungira mu Burundi, duca tuyisubizayo ariko Urwanda si uko, bobo bahaye indaro abahungabanya umutekano w'Uburundi, rero hamwe Urwanda rwotanga inkozi z'ikibi ziri muri ico gihugu, ubwo nyene umupaka uzoca urara wuguruwe, kandi ntuzosubira kwugarwa». Abanyuruza amatungo ya Reta boba bafatwa bagahanwa canke boba basubiza ivyo banyuruje?

Umuvugizi w'Umukuru w'Igihugu, Rosine Guilène Gatoni ati: "Abafatwa bivye amatungo ya Reta barayasubiza ndetse bagahanwa. Iyo hagize uwufatwa yanyuruje amatungo ya Reta arabogozwa mu mabanga yarimwo ndetse agasubiza n'ivyo yivye, hagakurikira amatohoza kubo bafatanije muri ubwo busuma hama ubutungane bugakora hakurikijwe amategeko".

Arongerako ati: «Haramaze gufatwa abatari bake kandi n'amafaranga atari make aramaze gusubizwa maze agakoreshwa mu bikorwa vy'iterambere ry'igihugu».

Umuvugizi w'Umukuru w'Igihugu akaba yamenyesheje ko kuva uyu mwaka wa 2025 utanguye amafranga arenga imiriyaridi 15 y'amaru-ndi amaze guca kuri konte yagenewe ico gikorwa.

**Haraheze imyaka n'iyindi indege yahora irerura Umukuru w'igihugu itariko irakora ico yagenewe, mbega vyagenze gute?**

«Iyo ndege y'Uburundi iracahagaze i Madride mu gihugu ca Espagne kandi harashizweho umugwi uriko uriga ingene yokorwa igatangura gukora, canke igurishwe». Ivyo ni ivyashikirijwe n'umuvugizi w'umukuru w'igihugu Rosine Guilene Gatoni.

Uyo muvugizi w'umukuru w'igihugu yangeyeko ati: «Abarundi barakanura barakurikirana amatungo y'igihugu ! Indege y'Uburundi rero iracari i Madrid gushika n'ubu, ariko harashizweho umugwi w'abahinga bo mu bushikiranganji bujejwe uruja n'uruza. Uwo mugwi uzokwiga ibikenewe vyose kugira ngo iyo ndege ikorwe burundu isubire gukora canke basanze ayo yokoreshwako yoba menshi bace bayigurisha.»

Uwo muvugizi w'umukuru w'igihugu rero, asozera amenyesha ko uwo mugwi rero uri ku kivi kandi ari ukuwutera intege kugira ngo banyarutse batange icegeranyo !

***Biracaza***

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ibikorwa vyo kunywanisha abarundi birihuta ariko bikeneye uburyo bwinshi (Ibikurikira)

Mu kiganiro umurwi CVR watunganije ku wa 7 Ntwarante 2025 ku vyokorwa ngo ibikorwa vyo kumenya ukuri, kurekurira no kunywanisha abarundi birangu-ke neza, Petero Claveri Ndayicariye arongoye uwo murwi yarereka-nye aho bagejeje iki-vi bashinzwe adasize inyuma n'intambanyi bahura. Ati : «Inzira yo kuvugana ukuri kuri ka-hise no kurekuriranira ni inzira igoye gucamwo kuko irimwo imitego myinshi. Ariko turemera ko iyo nzira ari nkene-rwa kugira ngo twubake Uburundi bwa bose, aho umurundi wese abaho yumva ko ari mu gihugu ciwe. » (...).

**Kumenya ukuri ku-vyabaye ntibishobora kuba nko kuzura aka-boze?**

Ico kibazo camye kiba-zwa kuva mu ntango y'ibikorwa vy'umurwi CVR. Abarundi batari bake bamanye amakenga y'inkurikizi yo kumenya ukuri ku mabi n'ubwica-nyi bwagahomeramunwa bwabaye mu Burundi.

Bamwe bati: ntaka-maro, abandi bati: tura-keneye kumenya ukuri kw'ivyabaye. Ndayica-riye, umukuru wa CVR asigura ko ukuri ari nkenerwa cane. Atanga insiguro y'ukuri n'aka-maro kakwo mu nzira yo kunywanisha abantu inyuma y'amakuba afa-tiye ku bwicanyi. Ati:

1. Ukuri kurakenewe kugira ngo ukuri ku-menyekane. Uko kuri kwovugwa kumwe ku-kandikwa, kukigishwa. Ukuri niko kwerekana ivyabaye. Bituma abari bijiriwe nabo biruhutsa;
2. Ukuri gutuma twu-gurura, abari bamaze imyaka myinshi bameze nkababoshwe bakumva bugurukiwe kuko baron-se akaryo ko kuvuga ;

3. Uko kuri gutuma hataba kuvuga mu ki-vunga, uwakoze amabi akadomwako urutoke. Si abahutu, si abatutsi, si abatwa : ni umuntu naka.


4. Ukuri gutuma amabi yakozwe amenyekana neza, akitwa izina

**Ivyo kugira ngo bis-hoboke harakenewe uburyo bw'amafran-ga**

Abari ngaho barashimye ivyo umurwi CVR uriko urakora. Ariko bakane-gura ingene ibikorwa vya CVR bimaze igihe kinini atakintu kibone-ka kirakorwa nk'ingingo canke ijambo rishikiri-jwe rifatiye kuvyo CVR yoba imaze gushikako mu myaka irenga cumi imaze iri ku kivi.

Umukuru w'umurwi CVR yaratahuye umwi-twarariko w'abo bantu ariko agirwako abaku-rira inkoni ku gishitsi : « Nta buryo umurwi CVR ufise bwoyituma ibintu bishobora kwihuta ».

Ivyo Petero Claver Ndayicariye yabivuze atuma abanyacubahiro



bari muri iyo nama ngo bashikire Reta bayi-bwire ko CVR ikeneye amafranga ngo ishobore gushika kuco yitezweko. Ati : « Ni mutuvugire. Mubwire Reta ko hari ibidakunda mu gihe uburyo butabonetse ».

Atanga akarorero kw'ishi-rwa mu ngiro ry'itegeko rishasha rigenga umurwi CVR. Muri iryo tegeko, CVR yarahawe ama-banga yo kubandanya ibikorwa vy'umurwi w'-igihugu ujejwe amatati y'amatongo n'ayandi ma-tungo (CNTB) mu Bu-rundi.

Iryo tegeko ritegekanya ko mu ntara yose haba ubuserukizi bwa CVR kugira ngo ico gikorwa gishasha uwo murwi wongewe gishoboke. Hari n'abandi bakozi benshi bakenewe kwongerwa m-uri CVR ariko ivyo vyose ngo ntibirakunda kubera atamafranga akwiye uwo murwi ufise.

Patiri Lambert Riyazi-mana wo muri diyoseze ya Ngozi akaba ajejwe n'ivyigwa kuri kami-nuza y'i Ngozi yari ya-tumiwe muri iyo nama. Yerekanye ko ikibazo co kunywanisha abantu kiranguka hishimikijwe ingingo mu mpande zita-tu zunganiranira: ingin-go za Politike, ibikorwa vy'imirwi y'ubuhinga n'uruhara rwo kuvura imitima.
Ati: «Urwo ruhande rwa gatatu rero ni ngom-bwa ngo rwitabweho kandi ruhabwe ikibanza gikwiye.»

Sylvestre Ntibantun-ganya yahoze atwara igihugu c'Uburundi, we-we yemeza ko ikibuza abarundi kunywana no gusubiza hamwe ngo nta kindi atari ubuku-nzi bw'inda no guhaha-mira amaronko. Ikibazo c'ubwoko ngo ni urwi-twazo gusa.

Tubamenyeshe ko aba komiseri bambere bagize umurwi CVR barahiye imbere y'inama nshinga-mateka na nkenguzama-teka ku wa 10 Kigarama 2014. Ubu uwo murwi ukaba mu mwaka wa 11 utanguye, ukaba ufise indongozi igira kabiri kuva ubayeho.

***Mélance NDAYIKEZE***

# Uburezi butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango w'amaraso n'inkurikizi zabwo

Umwana ategerezwa kurerwa n'abavyeyi biwe ariko hari aho bishika, bivuye ku mvo zitandukanye akarererwa mu wundi muryango mu gihe wabisavye kandi ukwije ibisabwa n'amategeko.

Uwo mwana arerewe mu wundi muryango hisunzwe amategeko agenga uburezi ni we yitwa umwana w'umurerano.

Uburezi ni kimwe mu vyerekana inkomoko y'umwana kandi burategekanijwe n'amategeko. Uburezi buri mu migwi ibiri :

* hari uburezi butuma umwana atakaza amateka mu muryango yavutsemwo akayagira mu wumwakiriye

* hamwe n'uburezi butuma agumana amateka mu muryango yavutsemwo akayagira no mu muryango wamwakiriye.

Tuja gushimikira kuri ubwo bwa kabiri.

Uwushaka kuba umurezi abisaba muri sentare nkuru y'Igihugu ni yo iheza ikamwemerera imaze kugenzura ko akwije ibisabwa.

Birumvikana ko uburezi turiko turavuga butandukanye n'ivyo tumenyereye gukora mu gufasha abana duhaye indaro mu miryango yacu.



**1.Ibisabwa kugira uburezi butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango w'amaraso bwemerwe**

*1.1. Ibisabwa ku murezi*

Umuntu ashaka kuba umurezi arafise ivyo asabwa.

Bitegekanijwe mu ngingo za 3, 4, 5 na 6 z'ibwirizwa n° 1/004 ryo kuwa 30 ndamukiza 1999 rihindura ingingo z'itegeko rigenga ingo n'abantu mu Burundi ku vyerekeye uburezi zivuga ko umuntu ashaka kurera umwana atagifise abavyeyi canke batagishoboye kurera aba afise n'imiburiburi imyaka 30 y'amavuka.

Mu gihe umurezi yubatse urwiwe, icemezo c'uwo bubakanye ni nkenerwa.

Imyaka isabwa ku murezi irashobora kudafatirwako igihe umurerano ari umwana w'umwe mu bubakanye canke sentare ikagenzura yisunze impamvu zatanzwe, ntifatire ku myaka umurezi arusha umurerano.

Umurezi ategerezwa kuba afise imigenzo myiza kandi afise n'uburyo bukwiye bwo kumurera. Kukaba nkako, umwana w'umurerano, co kimwe n'abandi bana bose, arafise uburenganzira bwo kubaho neza, bwo kwiga, bwo kuvuzwa iyo arwaye n'ibindi vyose vya nkenerwa kandi ivyo vyose ategerezwa kubironswa n'umurezi wiwe.

*1.2. Ibisabwa ku murerano*

Umurerano nawe nyene arafise ivyo asabwa kugira ngo ubu burerano bwemerwe.

Ingingo ya 38 y'ibwirizwa n° 1/004 ryo kuwa 30 ndamukiza 1999 rihindura ingingo z'itegeko rigenga ingo n'abantu mu Burundi ku vyerekeye uburezi ivuga ko uburerano butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango w'amaraso bwemerwa ata myaka y'amavuka y'umurerano irabwe.

Ubu burezi buremerwa imyaka yose y'amavuka umurerano aba afise.
Iyi ngingo ibandanya ivuga ko umwana ashikana imyaka 13 afise uburenganzira bwo guserura iciyumviro ciwe ku bijanye n'uburezi butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango w'amaraso co kimwe n'uburezi butuma atabugumana kandi ni we ategerezwa kwiyemerera ko aja kuba umurerano mu muryango uyu canke uriya.

Iri tegeko riratomora uwushobora kuba umurerano uwo ari we. Bitegekanijwe mu ngingo y'10 ivuga ko abashobora kuronswa uburezi butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango w'amaraso ari abana vyemejwe n'abavyeyi babo canke inama y'umuryango ko boja kurererwa mu wundi muryango, abana barerewe mu bigo vyakira abana b'impfuvyi hamwe n'abana batawe.

**2. Ingene bigenda mu gutanga uburezi butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango w'amaraso.**

Uwushaka kuba umurezi arabisaba nk'uko amategeko abitegekanya.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 14 y'ibwirizwa

Ibikur. urup. 11

# Uburezi butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango w'amaraso n'inkurikizi zabwo

(Bitangurira ku rup.10)

n° 1/004 ryo kuwa 30 ndamukiza 1999 rihindura ingingo z'itegeko rigenga ingo n'abantu mu Buru-ndi ku vyerekeye uburezi, ivuga ko uburezi butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango yavutsemwo, busabwa abavyeyi b'umwana, inama y'umuryango canke uwusanzwe ajejwe uwo mwana kandi bugatangwa biciye mu rwandiko rushizweko umukono n'umunyamategeko yashinzwe n'igihugu amabanga yo gusuzuma, kugenzura no kwemeza agaciro k'inyandiko canke rukemezwa n'ubuserukizi bw'Uburundi mu makungu.

Ukwemera ko umwana aba umurerano gukorwa kandi imbere y'umuyobozi w'igisata kijejwe gukingira abantu no kubategekaniriza kazoza.

Imbere yo gutanga uburezi butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango yavutsemwo, sentare irasabwa kuraba ko ineza y'umwana ishizwe imbere.

Tubisanga mu ngingo ya 27 ivuga ko sentare nkuru y'Igihugu igenzura, mu kiringo c'amezi atandatu, ko uwushaka gutunga umurerano akwije ibisabwa n'amategeko kandi ko ubwo burezi bushize imbere ineza y'umwana muri vyose.

Nk'uko twabonye ko umurezi ategerezwa kuba afise uburyo bukwiye kugira ashobore gutunga umurerano, ingingo ya 28 irerekana ko mu gihe uwushaka kuba umurezi asanganywe abandi bana bamukomokako, ategerezwa kuba afise ibibatunga bihagije kugira uwo murerano ntaze gutuma uwo muryango ubaho mu buryo butabereye.

**3. Inkurikizi z'uburezi butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango yavutsemwo**

Ubu burezi butuma umwana aronka uwundi muryango umurera kandi akaba afise n'uburenganzira mu muryango yavutsemwo cane cane kubijanye n'ugutorana nk'uko tubisanga mu ngingo ya 42 mu gace kayo ka mbere.

Kubera ko uburezi ari kimwe mu vyerekana inkomoko y'umwana, ingingo ya 44 irerekana mu gace kayo ka 2 ko ukwabirana kubujijwe:

* hagati y'umurezi n'umurerano canke ababakomokako,

* hagati y'umurerano n'uwubakanye n'umurezi

* canke hagati y'umurezi n'uwubakanye n'umurerano wiwe.

Ukwabirana kurabujijwe kandi hagati y'abarerano b'umurezi umwe co kimwe no hagati y'umurerano n'umwana w'umurezi wiwe.

Umurerano ntafise uburenganzira gusa ariko arafise n'ivyo asabwa haba ku bavyeyi biwe canke ku murezi wiwe.

Tubisanga mu ngingo ya 45 ivuga ko umurerano ategerezwa guha ibifungurwa umurezi wiwe mu gihe abikeneye ; kandi n'umurezi nawe ategerezwa guha imfungurwa umurerano igihe cose abikeneye.

Nk'uko ubu burezi butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango yavutsemwo, umurerano ategerezwa kuguma aha imfungurwa abavyeyi biwe igihe abishoboye kandi babikeneye.

Ariko, agace ka 3 k'iyi ngingo ya 45 kavuga ko abavyeyi b'umurerano badategerezwa kuguma bamuha imfungurwa kiretse iyo umurezi wiwe atagishoboye kubimuronsa.

Iyindi nkurukizi y'ubu burezi igaragara mu gihe umurerano yitavye Imana.

Bitegekanywa n'ingingo ya 47 ivuga ko mu gihe umurerano yitavye Imana ata bana asize, ivyo yahawe n'umurezi canke yaronse biciye mu kumutorana bisubira mu muryango w'umurezi.

Iyi ngingo ibandanya ivuga, mu gace kayo ka 2, ko ivyo umurerano yaronse mu muryango wiwe w'amaraso bisubizwa abavyeyi biwe, mu gihe batakiriho bigahabwa ababakomokako.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko uburezi butuma umwana agumana ubucuti n'umuryango w'amaraso butangwa hatarabwe imyaka y'umurerano ariko naho nyene ineza y'umwana itegerezwa gushirwa imbere muri vyose ni co gituma sentare ibanza kugenzura ko umurezi akwije ibisabwa n'amategeko imbere yo kumwemera ngo abe umurezi.

Ikindi twabonye, ni uko ubu burezi buha umurerano amahirwe yo kugira uburenganzira mu muryango yavutsemwo no mu muryango w'umurezi.

Twokwibukanya kandi ko ubu burerano butandukanye n'ivyo dusanzwe dukora bijanye n'ugufasha abana b'abandi duhaye indaro mu miryango yacu.

Ntihagire uwuca areka gufasha kuko abo bana ntibaheza ngo badutorane kubera atari abarerano kandi kubarera nta ruhusha bisabirwa.

*Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Yubire y'imyaka 2025, igihe nyaco co gusubiza umwizero abawutaye.



Ku wa 9 Rusama 2024, Papa Fransisiko yarasohoye inyigisho yise: «Umwizero ntutetereza» yo kumenyesha umwaka wa yubire y'imyaka 2025 y'ivuka rya Yezu Kristu. Muri iyo nyigisho, Papa aramenyesha imirwi y'abantu bakeneye kugaragarizwa ibimenyetso vy'umwizero gusumba abandi. Abakristu muri uyu mwaka bahamagariwe kwegera gusumba iyo mirwi, kugira nabo bamenye ko Imana ibakunda, kandi ko basangiye urugendo bagana ubuzima budahera.

*Iyo mirwi ni iyihe?*

1.Umurwi wa mbere Papa amenyesha ko ukeneye ibimenyetso vy'umwizero, ni imbohe. Avuga ati: «imbohe barabuze umwidegemvyo. Kubera amananiza y'ibohero barimwo, barumva iminsi yose mu-ri bo ikimanga c'ukwitwararikwa, umubabaro wo kudashobora gukora ico bipfuza, bikanashika no mu bihe vyinshi ko batanubahirizwa. Ndasavye indongozi, muri uyu mwaka wa Yubire, gufata ingingo zitanga umwizero; ukwiyumvira uburyo bwo kubatezurira, kwaba ukubaha ikigongwe kivunga, haba ukubatezurira umunyororo ngo bibafashe gusubira mu buzima bahoramwo bikajana n'ukugira utwigoro tuboneka hubahirijwe amategeko.

Kugira nereke imbohe ikimenyetso kiboneka c'uko turi hafi yabo, ndipfuza jewe nyene kuzokwugurura umuryango mweranda w'ibohero. Kizoba ikimenyetso kibatumirira kuraba imbere n'umwizero be n'umugambi mushasha wo kwinjira mu buzima.»

**2.Umurwi wa kabiri ni abarwaye.** Abarwaye barakeneye ibimenyetso vy'umwizero baba abarwariye i muhira canke mu bitaro. Uburemere bw'indwara zabo, butegerezwa kuremururwa n'abo bose bemera kubaba hafi mu kubagendera no mu rukundo baharonkera.

Ibikorwa vy'ikigongwe, ni ibikorwa vy'umwizero kuko bivyura mu mutima ubukengurutsi. Ukubitwararika ni akavyino gahayagiza agateka k'umuntu, ni ururirimbo rw'umwizero ruhamagarira abantu gushira ha-mwe inguvu bakora iciza.

**3.Umurwi wa gatatu ni urwaruka.** Urwaruka rurakeneye ibimenyetso vy'umwizero kuko kenshi bama basanga indoto zabo zanyitse. Nkako iyo kazoza kadatanga umwizero kandi ntikiyugururire indoto, iyo uhejeje amashure nturonke ico ukora, hagatamwo ibura ry'akazi karamye, birumvikana ko k'ubu bakabamwo n'amaganya menshi.

Uruhendo ruri mu biyayura mutwe, ukwigenza nabi no kwihwabira ibimara umwanya urume rumara, bituma bazazanirwa mu mutima gusumba abandi kuko bitabaha kubona ubwiza n'intumbero y'ubuzima. Ivyo ntivyijana kuko biruhira kubacuranguriza mu manga y'umuzimagiza, bikabatuma gukora nk'abiyahuzi canke ivy'ihebe. Nico gituma Yubire itegerezwa kuba muri Ekleziya akaryo keza ko kubiyumvira.

**4.Umurwi wa kane ni inyambukira.** Abantu benshi barata ibihugu vyabo kubera intambara n'ubukene bakaja kuronderera ahandi ubuzima bwiza ngo bashobore kwitunga no kubeshaho imiryango yabo. Umubano w'abakristu uzofate iya mbere mu kurwanira agateka kabo. Niwugurure rwose amarembo ubakirane igishika kugira ngo umwizero w'ubuzima bwiza uronkwe na bose. Ese hosamirana mu mitima rya jambo ry'Umukama yavuze muri wa mugani w'urubanza rw'imperuka ati: « Nari kavantara, muranyakira», kuko « aho hose mwabigiriye umwumwe muri abo bato bato tuvukana, ni je mwabigiriye » ( Matayo 25, 35.40).

**5.Umurwi wa gatanu ni abageze mu zabukuru.** Abageze mu zabukuru, kenshi usanga ari bonyene. Ukubumvisha ko ari itunga ni igikorwa c'imibano y'abakristu. Abo batama n'abatamakazi bategerezwa kwama bashigikiwe n'ubukengurutsi bw'abana babo hamwe n'urukundo rw'abuzukuru babo.

**6.Umurwi wa gatandatu ni aboro.** Twama duhwana n'abantu bakenye. Bashobora kuba n'ababanyi bacu. Rimwe na rimwe ntibafise aho bakika umusaya, ntibagira ico bafungura gi-kwiye imisi yose. Barababazwa n'ugukumirwa n'ukutitwararikwa kwa benshi. Birateye agahinda kubona tuba kw'isi ifise ubutunzi bwinshi cane mugabo bwahebewe kugura ibirwanisho mu gihe aboro bari bakeneye ubufasha.

Ntitukigere twibagira ko imisi yose kuba mworo bidasigura kuba warabigizemwo uruhara. »

*MSV M Goreth Ndikumana*